# Nta n'umwe yemera bikwiye, atabanje gukundira mwenewabo mu bantu ko aronka nk'ivyo wenyene ubwiwe akunda ko yoronka

Mu vyakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Nta n'umwe yemera bikwiye, atabanje gukundira mwenewabo mu bantu ko aronka nk'ivyo wenyene ubwiwe akunda ko yoronka".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko ukwemera kw'umuntu mu bislamu kudashobora gutungana bishemeye atabanje gukundira mugenziwe ko aronka nk'ivyo wenyene ubwiwe akunda ko yoronka mu bikorwa vy'iyumviramana, canke ibindi vyiza umuntu akunda mu bijanye n'idini no mu bijanye n'ubuzima bw'inyuma yo gupfa n'ubwo kw'isi, agaheza akanka ko mugenziwe ashikirwa n'ikitanezereye nka kurya yanka wenyene ubwiwe ko vyomushikira. N'iyo abonye kuri mugenziwe agahaze mw'idini, arageragesa uko ashoboye kwose kugatosora; yabona kuri we iciza gihimbaye, agaheza akagishimangira akanakimufasha, maze akama na ntaryo yamuhanuye mu bijanye n'idini ryiwe no mu vyerekeye ubuzima bwiwe bwo kw'isi.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee